
www.kidworship.kr


# Umwamikazi Esiteri

- Old Testament II / 11st story -




84Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Igihugu cose cari kinezerejwe n'inkuru z'uko umwami yagira ahitemwo umwamikazi mushasha. Abana b'abakobwa basayangana bagendagenda mu kirimba. Hariho umugabo w'umwisirayeli yitwa Morodekayi yaba ku kirimba yarafise mushikabo yitwa Esiteri. Esiteri yari umwigeme w'akaranga Morodekayi yari yarirereye kuva abavyeyi biwe bashengeye. |
| Morodekayi | Esiteri, umwami ashaka umwamikazi mushasha. Uri mwiza kuruta abandi bigeme bose. Nta nkeka, umwami azokugirira ikigumbagumba. Ariko ntihagire n'umwe uzobwira amamuko yawe. Ntihagire uwo uzobwira ko uva muri Isirayeli. Uranyumva? |



85Page

| | |
|---|---|
| Umusavyi | "Ni murenguke imbere y'umwami umwe umwe." |
| Uwuvuga | Abigeme barambara impuzu zisayangana bahagarara imbere y'umwami. Ubwo nyene amaso y'umwami aratwarwa. |
| Umwami | "Aha! Mbega umwigeme w'igikundiro n'akaranga." |
| Abantu | "Oooh! Ng'uyo umwamikazi mushasha!!!" |
| Uwuvuga | Esiteri ashimwa n'umwami kandi agira igikundiro imbere yiwe. Hanyuma umwami amwambika igitsibo c'ubwami mu mutwe. Esiteri aba umwamikazi mushasha.Umwami agena umuntu yitwa Hamani kuba icegera ciwe. |



86Page

| | |
|---|---|
| Umwami | "Umuntu wese ategerezwa kunamira Hamani!" |
| Abantu | "Nahangame Hamani!" |
| Uwuvuga | Hamani arahimbarwa abonye abantu bamwunamira. |
| Hamani | (Yibwira) Mu vy'ukuri, jewe, Hamani ndi agakomeye. Nta musavyi numwe akomeye muri iki gihugu kuruta jewe. |
| Uwuvuga | Ariko hari umuntu umwe atunamiye Hamani. Uwo yari Morodekayi umwe yari yarareze umwamikazi Esiteri igihe yari akiri umwigeme. Morodekayi yunamira Imana yonyene. Hamani arashangashirwa. |
| Hamani | "Iki? Uwo ninde yubahuka kunkengera ntanyunamire? Morodekayi! Mbega umugesera...mbega nzomuhane gute? Hahaha." |
| Uwuvuga | Hamani amenya y'uko Morodekayi yari umuntu w'Imana yavuye muri Isirayeli. N'uko aca ategura umugambi. |

| | |
|---|---|
| Hamani | “Nyeningoma, hari abanyamahanga baba muri iki gihugu batubahiriza ivyagezwe vy’umwami.” |
| Umwami | "Iki? Abo nabo ni bande?" |
| Hamani | "Bazohava bakugirira nabi Mwami rero bategerezwa kwicwa." |
| Umwami | “Hmm... ivyo ni vyo. Bikore uko nyene. ” |
| Uwuvuga | Hamani ategura urwandiko mw’izina ry’umwami arurungika mu gihugu cose. |
| Hamani | “Mutegerezwa kwica abayuda bose baba muri iki gihugu kandi mubanyage n’ivyabo yose.” |
| Uwuvuga | Abayuda bacika ivutu biranka n’uko baba bagifungura. Ahubwo baca bitaburirako impuzu baraboroga. Morodekayi nawe yicara kw’irembo ry’ikirimba aboroga. |

.......................................................................................................................


87Page

| | |
|---|---|
| Esiteri | “Genda kwa Morodekayi mundabire igituma abayuda bari mu maborogo.” |
| Incoreke | “Ego muhanyi...(inyuma y’akanya gato) muhanyi! Ikintu giteye ubwoba cabaye.” |
| Esiteri | Habaye iki? |
| Incoreke | “Abayuda bagenywe kwicwa. Morodekayi yagusavye ko wovugira ubwoko bw’abayuda ku mwami ngo barokoke.” |
| Esiteri | Iki?! |

.......................................................................................................................



88Page


89Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umwamikazi Esteri acika ivutu. Ariko Esiteri yaratinya birenze guca ku cagezwe c’umwami. Ahagaritse umutima, asubira gutuma iyo ncoreke kuri Morodekayi. |
| Morodekayi | “Genda umubwire ko yatoranijwe kuba umwamikazi kubw’ibihe bigoye nk’ibi.” |
| Uwuvuga | Ya ncoreke isubiriramwo Esiteri ivyo Morodekayi yavuze. |
| Esiteri | “Bwira abayuda gutangura kwisonzesha no kunsengera imisi itatu. Nanje nyene nzokwisonesha nsenge. Ivyo biheze, nzorenguka imbere y’umwami naho ari kurenga icagezwe. Nimba ari gupfa, nzopfa.” |
| Uwuvuga | Imisi itatu iheze, Esiteri ahagarara imbere y’umwami. Umwami aranezerwa amubonye. |
| Umwami | “Ooh! Esiteri! Ni iki? Ico usaba cose urakironka niyo coba ari igisate c’iki gihugu.” |
| Esiteri | “Mwami wanje, nabateguriye inzimano mwe na Hamani.” |



90Page



91Page

Uwuvuga — Hamani yumvise ubutumire bw'umwamikazi, yirata cane. Umwami yumva yisanzuye ku meza ya Esiteri hanyuma asaba umwamikazi gusaba ico yipfuza. Esiteri arishura umwami.

Esiteri — "Mwami wanje, ndakwinginze undokore n'ubwoko bwanje."

Umwami — "Iki? Ninde agira abice?"

Esiteri — " Ni uyu, Hamani."

Hamani — Sa? Oya, ico ni ikinyoma mwami! Mwamikazi Esiteri, ndakwinginze unkize!! Mwami wanje!

Umwami — "Mbega Hamani ariko arabangamira umwamikazi? Ingene yirata!!"

---

Uwuvuga — Bihera Hamani amanitswe ku giti yari yateguriye Morodekayi.
Umwami amenye ko Morodekayi yigeze kumukiriza ubuzima kera, aca amugena kuba icegera ciwe gishasaha. Umwamikazi Esiteri yongere gusaba umwami.

Esiteri — "Nihabe urundi rwandiko rukuraho urwari rwategetse kugeseza abayuba bose. "

Uwuvuga — Umwami akora ico Esiteri ashatse cose. Kandi nta muyuda n'umwe yishwe. Muri iyo nzira, Esiteri, yabaye umwamikazi, yasenga Imana kandi arokora ihanga rya Isirayeli.